# Diaspora Ndundi

**URWEGO NSHINGWABIKORWA**
**IBIRO VY'UMUKURU**
1837 Lakewood village Dr
Antioch, TN 37013, USA.
Tel.+1 615 300 6330

Kuwa, 27 Rusama 2023

**Réf.: CE 27/05/DB/23**

## GUHOZA UMURYANGO WABUZE

Abarundi twese iyo dupagasa mu mahanga, twaguye mu gahundwe aho twumviye urupfu rwa giturumbuka ruherutse gushikira Umutama Professeur Laurent NZOSABA. Turetse abo bahora babana muri Diaspora mu gihugu c'Ububiligi, Abarundi benshi, na canecane abanyeshuri bo mu ma Kaminuza yose yo mu Burundi bari bazi Professeur Laurent NZOSABA nk'umwe mu Barundi banonosoye amategeko.

Professeur Laurent NZOSABA yari umwe mu Barundi bari barabonye ko kwigisha i Bulaya gusa ataco vyungura Uburundi. Nico gituma rero yahora ataha kwigisha ku mashuri kaminuza atandukanye mu Burundi ari naho Imana yamuhamagaye ari kwigisha.

Uburundi n'Abarundi rero turabuze umwe mu banyamategeko b'ijunja n'ijambo.

Muri Diaspora, aho twumviye ko Professeur Laurent NZOSABA atakiri kumwe natwe twatahuye ko ibikorwa vyamuranze aha kw'isi mu kwitaho Uburundi n'Abarundi vyamushikanye mw'ijuru i wabo w'abemera.

Aha kw'isi urupfu rurababaza kandi ntirumenyerwa. Ariko ku bizera bose, nta nkeka ko tuzosubira kubona Professeur Laurent NZOSABA duhuriye mw'ijuru.

Nk'indongozi z'Abarundi bapagasa mu mahanga (Diaspora burundaise) rero, turahojeje umuryango wiwe. Turahojeje Abarundi babanye mu gihugu c'Ububiligi kandi turahojeje Uburundi n'Abarundi bose.

Imana imwakire mu bwami bwayo.

Kw'izina ry'Abarundi bose bapagasa mu mahanga,

Umukuru w'urwego Nshingwabikorwa Diomede Richard Misigaro